CONFERENCE
DES EVEQUES CATHOLIQUES
DU BURUNDI

Secrétariat Général

ITANGAZO RY'INAMA Y'ABEPISKOPI GATOLIKA B' I BURUNDI RYEREKEYE INYIGISHO *FIDUCIA SUPPLICANS* (UKWIZERA KWAMBAZA IMANA) Y'IGISATA CA PAPA GISHINZWE UKWEMERA GATOLIKA

Basaserdoti,
Bihebey'Imana,
Bakristu benewacu
Namwe mwese bantu b'umutima urondera ineza,

1. Tugiye guhimbaza uyu musi mukuru cane wa Noweli hagize imisi hari ivyandikwa vyinshi ku mbuga ngurukanabumenyi, bivuye ku kudategera neza inyigisho y'Igisata ca Papa gishinzwe Ukwemera gatolika, yo ku wa 18 Kigarama 2023, yerekeye insiguro y'imihezagiro mu butumwa bw'ukuragira ubusho bw'Imana. Muri ivyo vyinshi vyandikwa, hariho ivyemeza ko Umuvyeyi wacu Papa yoba yarekuye ukwubakana kw'abafise ibitsina bisa, ibindi bigaca bigirako bityoza umuryango wacu w'Ekleziya. Birumvikana ko mubisomye canke muvyumvise, bitoreka kubatera amadidane, kubahungabanya no kubababaza, mwibaza ko Ekleziya Gatolika yacu yoba yashingutse ku kwemera n'inyigisho yamye ihererekana kuva igitangura, ku vyerekeye isakramentu ry'ukwubaka rukristu.

2. Twebwe rero Abungere banyu, tuje kubahumuriza no kubaha umuco. Ni ko, inyigisho tuvuze y'Igisata ca Papa gishinzwe Ukwemera gatolika bise *Fiducia supplicans* (Ukwizera kwambaza Imana), itumbereye kwishura ikibazo c'uko, iyo babisavye, ababana nk'umugabo n'umugore kandi bompi ari abagabo canke abagore, be n'abubakanye badakurikije amategeko y'Ekleziya boshobora kuronswa umuhezagiro n'umusaserdoti nk'abubakanye. Mugabo, mu numero yayo igira kane, iyo nyigisho nyene iributsa inyishu Umuvyeyi wacu Papa yatanze itariki 4 Gitugutu 2023 yishura amakenga Abakardinali 5 bari bamutuye ku vyerekeye ibintu bimwe bimwe, birimwo n'ic'uko benabo bantu bohezagirwa. Yishuye agira ati : « Ekleziya isanzwe itegera mu buryo butomoye ico ari co urugo, ni ubumwe butabangikanya, burama kandi budatandukanywa bw'umugabo n'umugore, busanzwe bwugurukiye ukurondoka. Ni co gituma Ekleziya yirinda umugirwa uwo ari wo wose womera nk'uwuvuguruza ukwo kwemera, ugatuma abantu biyumvira ko ifashe nk'urugo ibitari rwo namba»[1].

[1] *Responsum ad dubium 2*, a&c.